# IMVO Y'AMASEZERANO HAGATI YA LETA Y'UBURUNDI NA LETA ZUNZE UBUMWE Z' ABARABU YEREKEYE GUTEZA IMBERE NO GUKINGIRA IMITAHE Y'ABARWIZATUNGA B'IVYO BIHUGU YATEWEKO IGIKUMU KW'IGENEKEREZO RYA 06 RUHUHUMA 2017, I ABU DHABI

## I. IMVO Z'AYA MASEZERANO

Mu ntumbero yo gukomeza ubucuti n'imigenderanire, guteza imbere imitahe y'abagwizatunga b'ivyo bihugu bibiri ; Vyayiteyeko igikumu, i Abu Dhabi, kw'igenekerezo rya 06 ruhuhuma 2017,

Tuzirikanye ko ibiri muri aya masezerano, arivyo bizotuma imitahe ihanwahanwa vyoroshe hagati y'ibi bihugu bibiri bikazutuma ubutunzi bw'ivyo bihugu bwiyongera ;

Tüzirikanye kandi ko gushinga imitahe ikingiwe bizotuma ubutunzi bukoreshwa neza mukuduza ubuzima bwiza bw'abenegihugu ;

Dutahuye ko guteza imbere imitahe bisaba inguvu zidasanzwe mu gukomeza ubucuti n'imigenderanire hagati y'ibi bihugu bibiri ;

Ariko aya masezerano yaratevye kugarukanwa munama nshikiranganji ku mvo zikurikira :

1. Aya masezerano, yari kumwe n'ayandi y'ubwoko bushasha butamenyerewe yerekeye gukinga itozwa kabiri ry'amakori ku nyungu n'inyuruzwa ryayo, kandi busaba ishirwaho ry'umugwi w'abahinga mu vyerekeye amakori n'amatagisi.
2. Umugwi w'abahinga bavuye mu bushikiranganji butandukanye bwegwa n'ico gikorwa washizweho utevye, inyuma y'imyaka irenga ibiri.
3. Aya masezerano yarahuye n'inzitizi ziri mu mategeko agenga imigenderanire y'ibihugu, mu bijanye n'abarekuriwe guhanahana amakuru hagati y'igihugu n'ikindi.
4. Ivyo inama nshikiranganji ya Leta y'Uburundi yo ku wa 19/7/2017 yasavye ko vyoshirwa muri ayo masezerano, vyarakozwe, birarungikirwa Leta Zunze Ubumwe z'Abarabu, ariko irateba cane kwishura ; inyishu yabonetse muri Ruhuhuma 2024.

## II. INDINGANIZO Y'AMASEZERANO

Aya masezerano agizwe n'intangamarara , ingingo cumi na zitanu (15) zirimwo uduce dutomora neza ingene ikingirwa ry'imitahe ritegekanijwe.

## IRINGANIZWA RY'INGINGO ZIGIZE AYA MASEZERANO

Ivyo izi ngingo zitegekanya:

**Ingingo ya 1:** itegekanya ivyerekeye abanyamitahe, imitahe, umwimbu n'ibihugu yerekeye.

**Ingingo ya 2:** ihimiriza ibi bihugu bibiri gutegekanya ingingo zo kworohereza abanyamitahe

**Ingingo ya 3:** itegekanya ingene imitahe y'abagwizatunga Ikingirwa hisunzwe amabwirizwa n'amategeko y'ibi bihugu mu gufata abagwizatunga co kimwe

**Ingingo ya 4:** itegekanya gufata co kimwe abanyamitahe b'ivyo bihugu ata gutandukanya abanyamitahe b'igihugu kimwe, n'ikindi

**Ingingo ya 5:** itegekanya igihe abanyamitahe bashumbushwa,kandi ko atagutandukanya abanyamitahe b'igihugu kimwe n'ikindi

**Ingingo ya 6:** itegekanya ibisabwa kugira igihugu cikore ku mitahe y'anyamitahe b'ikindi gihugu

**Ingingo ya 7:** itegekanya ingene iyimurwa ry'ubutunzi n'imitahe y'abanyamitahe b'ikindi gihugu rikorwa ata ntambamyi kandi vuba na bwango, haba mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu.

**Ingingo ya 8:** itegekanya ibijanye n'ubwishingizi

**Ingingo ya 9:** itegekanya gutatura amatati hagati ya Leta n'umugwizatunga ava mu kindi gihugu

**Ingingo ya 10:** itegekanya gutatura amatati hagati y'ama Leta yateye

igikumu kuri aya masezerano

**Ingingo ya 11:** itegekanya igihe hakoreshwa ayandi mategeko atari aya masererano gusa

**Ingingo ya 12:** itegekanya ishirwa mu ngiro ry'aya masezerano

**Ingingo ya 13:** itegekanya ibiganiro hagati y'ibi bihugu

**Ingingo ya 14:** itegekanya inzitizi ku burusho butegekanijwe n'aya masezerano iyo budashora kuboneka

**Ingingo ya 15:** itegekanya ishirwa mu ngiro, ihindurwa, ikiringo n'ihagarikwa ry'aya masezerano.

## III. GUSOZERA

Mu kwemeza ishirwa mu ngiro ry'aya masezerano mu mabwirizwa y'igihugu cacu ciza c'Uburundi, tuzoba duhejeje kwinjira mu migenderanire myiza mu vyerekeye kugwiza imitahe.

Aya masezerano afise kandi intumbero yo gukingira no guhanahana imitahe, igashingwa aho abagwizatunga bashaka ata bwoba bwo kuhahombera.

**Kubera izo mvo zose, turasavye Banyakubahwa mwatewe iteka ngo muserukire abenegihugu ko mwokwemeza iyi nteguro y'ibwirizwa nwarungikiwe na Leta y'Uburundi ku neza y'igihugu cacu.**

.......................................................